# I vyegeranyo vyanditswe ku banyeshure biga Icongereza nk'ururimi rwongeweko K-10

## Ibimenyeshejwe abavyeyi n'abarezi

Bavyeyi namwe barezi dukunda

Muronka ivyegeranyo bibiri vyanditswe ku mwaka biva kw'ishure umwâna wanyu yigako. Ivyo vyegeranyo bizobafasha gutahura uko umwâna wanyu ariko aratera imbere n'ingene ishure ryitaho ukwiga kw'umwana wawe. Icegeranyo cose kizokwereka iterambere ry'umwana wawe mu vyigwa vyose.

### Ivyegeranyo ku biga Icongereza nk'ururimi canke imvugo yongeweko (English as an additional language or dialect (EAL/D))

Asangwa umwâna wawe ariko yiga Icongereza nk'ururimi canke imvugo yongeweko (EAL/D), ico cegeranyo kizosobanura uko inyigisho yagenze n'iterambere ry'umwana wawe mu kwiga ururími rw'Icongereza. Ku banyeshure biga mu mwaka wa 1 n'imbere yahoo icegeranyo kizobamwo n'urwego bagezeko mu kumenya Icongereza. Izo ntambuko ni uwugitangura, uwamenyereye, uwuteye intambwe n'uwubizi. Igore usome urwandiko rwongeweko urabona idondorwa ryagutse.

### Ivyegeranyo (EAL/D) vy'abanyeshure bagishiká

Asangwa umwâna wawe ari mu nteguro EAL/D akaba amaze mw'ishure ryo murí Ostraliya ibice bine canke bidashika, icegeranyo canditswe c'umwana wawe cobamwo ibivugwa kw'iterambere ryiwe mu vyo ariko ariga kuruta amanuta afíse.

### Ivyegeranyo (EAL/D) vy'abanyeshure bashikiye mu Nyigisho Karuhariwe z'Icongereza canke Icongereza Karuhariwe mw'Ishure ryisumbuye

Asangwa umwâna wawe yanditswe mu Nyigisho Karuhariwe z'Icongereza canke Icongereza Karuhariwe mu mashure yisumbuye, uzohabwa icegeranyo c'iterambere ryiwe mu kwiga Icongereza. Vyongeye, ico cegeranyo kizokwerekana iterambere mu vyigwa vyöse vy'ukwitegurira ishure rikuru.

| Intambuko z'iterambere mu Congereza | |
|---|---|
| **Uwugitangura** | Abanyeshure bo mu rwego rw'abagitangura ni ho baba batanguye kwiga Icongereza. Barashoboye kuvúga ururími rumwe canke rurenga rutari Icongereza kandi bafise imyaka ikwiye yo kwandika mu rurimi rwiwe rwa mbere. Bigishwa ivyo urufatiro bigize integuro y'inyigisho. |
| **Uwamenyereye** | Abanyeshure bo ku rwego rw'abamenyereye baba bongereje ubumenyi bw'Icongereza. Abo banyeshure bashobora kuvúga ururimi rumwe canke rurenga hamwe n'Icongereza shingiro, kandi baserura iterambere mu Congereza co kwandika. Abo banyeshure baba bashoboye kugira uruhára mw'ishure n'umwete igihe bigishijwe neza icongereza n'umwanya w'inyongera y'imyimenyerezo mw'isomero. |
| **Uwateye Intambwe** | Abanyeshure bo ku rwego rw'abateye intambwe bashobora kuvúga ururími rumwe canke rurenga, hárimwó n'Icongereza ciza, kandi baba bateye intambwe mu Congereza canditswe. Abo banyeshure berekana umwete mu kugira uruhára mu bikorerwa mw'isomero no kw'ishure, kandi n'abanyamwete mu kurushiriza kwiga neza. Ururimi rwabo kavukire rubagirira akamaro ariko bunguka n'ubumenyi mu ndimburo n'amajambo vy'Icongereza. |
| **Uwubizi** | Abana bo ku rwego rw'uwubizi bashobora kuvúga ururími rumwe canke rurenga, hárimwó n'Icongereza, kandi baba bafise ubumenyi budasanzwe bw'inyandiko y'Icongereza. Barorohezwa canke no kwishura mw'isomero no kw'ishure kandi berekana iterambere mu bumenyi bw'Icongereza biga. Baratahura bakerekana ibisomwa bivuzwe canke vyanditswe mu ntumbero nyinshi ariko baba bagikeneye ugushigikirwa n'ubuhinga nk'abiga mu buryo bwa EAL/D, uko ururími rwo kwigiramwo ivyigwa rukomeza kugwīra. |

## Ubufasha mu Gusobanurirwa Ururimi

Ni waba ukenéye ayandi makurú ni wigore uvugane n'ishure. Ni waba ukenéye umusóbānuzi ngo agufashe kuvugana n'ishure, Hamagara Abatanga Ubufasha mu Nsobanuro kuri 131 450 usabe umusóbānuzi mu rurimi rwāwe. Uwo musobanuzi azohamagara kw'ishure agume no ku murōngo ngo agufashe mw'ihanamakuru. Ntuzorihishwa kubwó ubwo bufasha.